NSW GOVERNMENT

Student behaviour
Parent/carer factsheet

Ingeso z’umunyeshuri

Urukaratasi rw’ ukuri rw’umuvyeyi/umurezi

Ingeso

Dushaka kuraba neza yuko ishuri iba mu mutekano n’umunezero ku mwana wawe. Gushigikira ingeso z’umunyeshuri ni ngirakamaro cane kugira ngo akore neza, atere imbere nk’umuzinga kandi amererwe neza. Amashuri yiha ihangiro ryo guha abanyeshuri aho gukorera heza, aho bakora bumvikana kandi basenyera ku mugozi umwe. Amategeko agenga Ikibano c’Ishuri yerekana uko bimeze ku bavyeyi, abarezi, abigisha

Urutonde rw’ingeso, inyifato y’umunyeshuri

Urutonde rw’inyifato, ingeso y’umunyeshuri wacu (Student Behaviour Strategy) rufasha kwubaka ishuri yigwamwo na bose aho umwana wese amenyekana, agahabwa agaciro n’agateka, akitwararikwa, kandi abana bose bashobora kwiga bakoresheje ububasha bwose n’inguvu zose uko bashoboye. Turazi yuko abanyeshuri biyumva ko bashigikiwe kandi ko bari no mu mutekano bumva ko bifatanije n’ishuri kurushiriza baca biga cane, bakagira uruhara runini mu kwiga.

Kwigira ahantu heza hisoneye biteza imbere ukumererwa neza, bigatuma umwana yiga neza agashika ku bintu bikomeye mu bijanye n’ubwenge. Urwo rutonde rushigikira neza ukuzibukira n’ugushiraho ishuri rishingiye ku munyeshuri, ukubona ishuri rigizwe n’imiryango yo mu kibano aho ugushimika ari rwo rupfunguruzo. Ibikenewe ku bana bose bizoshitswa n’ukubandanya kwitwararika (Care Continuum).

Amategeko y’Ingeso agenga Abanyeshuri

Amategeko y’Ingeso agenga Abanyeshuri (Behaviour Code for Students) yerekana ingeso, inyifato yitezwe mu mashuri yose ya Reta yo muri NSW. Ishuri y’umwana wawe nayo nyene izoshiraho ingeso, inyifato yitezwe gukwirikizwa n’abanyeshuri bose mu mashuri yabo. Abakozi bo kw’ishuri umwana wawe yigako bazokwigisha kandi babamenyeshe ingeso n’inyifato babitezeko.

Ingeso ziteye amakenga

Abana n’abatanguye kwisumbura bashobora kwerekana inyifato, ingeso zigoye rimwe na rimwe kandi ni kimwe mu vyerekana ko bariko barakura. Umwana wawe ashobora kuba yarandukiwe n’ingeso z’abandi canke akaba yarandukije abandi ingeso ziwe. Izindi nkuru ku bijanye n’ivyo wokora iyo umwana wawe yakubariye ibibazo bijanye n’ingeso kw’ishuri biriho ku muhora ngurukanabumenyi.

Izindi nkuru

Nimba ukeneye kumenya ibindi ku bijanye n’ugufasha abafise ingeso mbi kugirango ngo bahinduke canke ufise amakenga y’ingeso y’umwana wawe usabwe kubariza kw’ishuri.

Ibikorwa vyo gusobanura mu rundi rurimi

Nimba wipfuza gushikira ishuri kandi ukaba ukeneye imfashanyo y’uwugusobanurira mu rurimi rw’Ikingereza, usabwe guhamagara ibikorwa vyo gusobanura kuri Telephone kuri 131 450, ubabarire ururimi ushaka kandi uce usaba umuntu ari kuri iyo mashini ahamagare ishuri. Uwo ari kuri iyo telephone azoca akuronderera umusobanuzi ku murongo agufasha muri ico kiganiro. Nta mahera uzorihishwa kuri uwo yagufashije gusobanura mu rundi rurimi.